# *BURUNDI*: AMABI AFATIYE KU GITSINA

## *Iperereza y-igihugu (SNR) yarakoze amabi yo gusinzikariza ubuzima harimwo n-amabi afatiye ku gitsina*

### BANDE

Abagirizwa kuba bari mu bikorwa vya politiki canke vyo kugwanya intwaro ya Leta bitwaje ibigwanisho. Benshi yari abagabo

### GUTE

Mu kumanika ijerekani iremereye ku matengatwa yabo, mu kubakubita inkoni, mu kubaturira, mu kubatera inshinge, mu kubafata ku nguvu, mu kubategeka gufata ku nguvu abandi bafungwanywe (baba abagore canke abagabo)

### KUKI

Intumbero yari kubabaza mu buryo bwose bushobotse ku mvo zo kubahana no kubemeza ivyaha



> *Baranyambuye impuzu […] kubera amaboko yari akiziritse. Baca baramboha amatengatwa [n'umugozi] uwo mugozi baca bawuzirika ku jerekani yuzuye umucanga. Baca [bambwira] ngo mpaguruke ntambukane ya bidon [inziritseko].*

## *Ntivyoroshe namba ko abakorewe ayo mabi barega abayakoze canke ngo basabe gufashwa no kuvurwa*

### UBURYO

Nta buryo bukwiye buriho bwo kwitaho abagabo n'abahungu bakorewe amabi afatiye ku gitsina canke bafashwe ku nguvu

### KUDAHANA

Gufata abafungwa bunyamaswa no kubasinzikaza biri muvyo SNR ikora mu mwidagaduro nta ngere, ivyo biro bitegekwa n'umukuru w'igihugu kandi bifise uburyo bwihariye bwo gukora iperereza

### GUTINYA

Isoni n'imigenzo ku vyerekeye igitsina, kwibaza ko umuntu yatakaje ubugabo canke ko yohava yitwa ko agira imibonano n'abo basangiye igitsina; ubwoba bwo gutezwa isoni no gutinya kutamera nk'abandi



> *Bamwe mu bagore bari bafungiwe muri SNR barafashwe ku nguvu. Baratuye ivyo bakorewe ku bakuru ba SNR ariko bano babifashe minenengwe, nkuko umengo ni ibisanzwe. Nico cerekana ko ivyo vyaha vyari bishigikiwe muri SNR […] kuko iyo bitaba uko uwakiriye ivyo birego yariguca abaza "ni nde yagukoreye ico caha? Yabikoze ryari? Nyiganira ingene vyagenze".*

## INKURIKIZI

### ZO KU MUBIRI

Ububabare burenze, ingwara zifatiye mu bihimba vy'irondoka n'ivyo kwihagarika

### ZO MU MUTWE

Kwihebura, kwiyumvira kwiyahura, kutiyemera

### ZO MU BANTU

Kwinguga, gutinya ko adashobora kurangura amabanga yiwe ya nyene urugo, kugwana canke gukubita uwo bubakanye, gusambura umuryango ariwo nkingi iruta izindi mu Barundi

> *Nta wifuza kumenyekana mw'ibarabara nk'uwafashwe ku nguvu bacishije inyuma […] birateye isoni cane, umuntu ntiyosubira guseruka mu bandi […] bimenyekanye sinzi ko noronka iyo mpungira.*

Vyakozwe itariki: 17 Nyakanga 2020

N'umugwi utohoza ivy-i Burundi, https://www.ohchr.org/FR/HRBodies/HRC/CoIBurundi/Pages/CoIBurundi.aspx

# ***BURUNDI***: IHONYANGWA RY-AGATEKA KA ZINA MUNTU MU MATORA YO 2020

## *Guca intege abatavuga rumwe na Reta, cane cane abanywanyi ba CNL n'abawushigikiye*

- mukubica canke mukubanyuruza
- mukubahagarika no kubafunga binyuranye n'amategeko
- mukubahohotera no kubafata bunyamaswa
- mukubabuza kurangura neza ibikorwa bijanye na politiki
- mukubuza abaserukira iyo migambwe kwitoza n'abanywanyi babo bajejwe gukurikirana amatora (mandataires) gukora akazi bashinzwe
- mukugwiza imvugo zitera inzango no gutsimbataza ivyaha babakorera

> *Narabajije uwurongoye akagwi igituma bazanye kwitaba [...] Baragize isoni kuko ataco bari bafise banyagiriza, ariko intumbero yabo yari kumfunga kugira sinigishe canke ngo namamaze umugambwe CNL.*

## *Kunumisha abahagarikira amatora bigenga kugira ntibavuge ibiriko birabera mu gihugu*

- mukubuza no kuzitira ntangere ibikorwa vy'imigwi iharanira agateka ka zina muntu n'abayiserukira

## *Icungwa ntangere y'abanyagihugu mu gihe c'amatora hamwe na mbere na nyuma yaho*

- mukubahatira kuba abanywanyi b'umugambwe uri k'ubutegetsi no kubatera ubwoba ku buryo babahatira gutora umugambwe uri k'ubutegetsi
- mukubabuza guhura mu gihe c'iyamamaza imbere y'amatora canke kubaca intege zo kuja mu my'iyamamazo
- mukutabemerera gutora mu mwidegemvyo nta ngere nk'uko uburenganzira bwabo bubibemerera
- iterabwoba ry'imbonerakure ahantu hose ku buryo bafata ikibanza c'inzego zijejwe amahoro n'ubutungane ku mitumba

> *Iyo babonye abantu batonze umurongo bagiye mu matora bakibaza ko bashobora gutora umugambwe utavuga rumwe na Leta baca bakoresha iterabwoba bababwira bati : « Duhe amakarita yanyu tubatorere. » Abakaze ubwoba baca babahereza amakarita yabo kubera gutinya ko bohava bakubitwa. »*

Vyakozwe itariki: 17 Nyakanga 2020

N'umugwi utohoza ivy-i Burundi, https://www.ohchr.org/FR/HRBodies/HRC/CoIBurundi/Pages/CoIBurundi.aspx

# ***BURUNDI***: INYUMA Y'AMATORA YO MU 2020, IBIMENYETSO UMUNANI VYEREKANA INTEGURO Y'IVYAHA BIKOMEYE NTIVYAHINDUTSE

**Umuntu agerereranije n'uko ibintu vyari bimeze imbere y'amatora ; asanga vyinshi muri ivyo bimenyetso bitahindutse (=), kimwe caragabanutse (↘) ikindi naco carunyutse (↗) ***




1. Umutekano uhungabanye mu gihugu n'ubutunzi butera butituka (=)
2. Ukudahanwa kw'ivyaha vy'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu vyakozwe kera n'ibikorwa mu bihe vya none (=)
3. Inzego za Leta zihungabanye, cane cane iz'ubutungane (=)
4. Impigi yo guhohotera abandi bitewe n'impavu za politiki, z'ubutunzi canke z'ubwoko kubera gushaka kwigumiza k'ubutegetsi canke kwanka gusangira ubutegetsi n'ubutunzi (=)
5. Ubushobozi bw'abantu b'imigwi itandukanye bwo guhohotera no gukora ivyaha vy'agahomerabunwa, cane cane imbonerakure zikwiragiye mu gihugu cose (=)
6. Kubona hatariho ibimenyetso vyofasha kurinda ivyaha nk'abaharanira agateka ka zina muntu bakora mu buryo bunonosoye n'abamenyeshamakuru b'igihugu bigenga, mu gihe CNDD-FDD yigungirako ubutegetsi; amahanga nayo akabandanya arabisha iryahumye ibiriko birabera i Burundi (↗)
7. Icuka gitera ikorwa ry'ivyaha vyagahomerabunwa rishoboka harimwo n'uko agateka ka zina muntu kabandanya gahonyangwa, gushigikira imbonerakure n'imvugo z'urwanko rufatiye ku bwoko zitera zongerekana (=)
8. Ibimenyetso bishobora gutuma ivyaha vyongerekana, akarorero nko mu gihe c'amatora (↘)

*Icegeranyo A/HRC/45/CRP.1 c'umugwi ujejwe amatohozi ku Burundi (COI) kirerekana ido n'ido uko kimwe kimwe muri ivyo bimenyetso gishobora kwigaragaza.

Vyakozwe itariki: 17 Nyakanga 2020

N'umugwi utohoza ivy-i Burundi, https://www.ohchr.org/FR/HRBodies/HRC/CoIBurundi/Pages/CoIBurundi.aspx

# *BURUNDI*: INGINGO ZA MBERE UBUTEGETSI BUSHOBORA GUFATA KUGIRA ICO CUKA KIBI N'IVYO BIMENYETSO BIGABANUKE MU GIHUGU

## Mukugabanya *ikimenyetso n° 6*

- Gusubira imikorane n'ishirahamwe mpuzamakungu rya ONU no gusubira kugurura ibiro vy'uwuserukira ONU muguharanira agateka ka zina muntu
- Gufungura abaharanira agateka ka zina muntu, abanyamakuru n'abatavuga rumwe na Leta bafungiwe mu gihugu
- Kubahiriza ubwigenge bw'abanyamakuru n'uburengazira bw'abaharanira agateka ka muntu bwogukorera hamwe

## Mukugabanya *ikimenyetso n° 1 et 8*

- Kubahiriza umwidegemvyo n'umutekano w'abatavuga rumwe na Leta

## Mukugabanya *ikimenyetso n° 2, 3 et 8*

- Guhagarika ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu n' ukudahanwa kw'abakora ivyo vyaha
- Kwitwararika ko ivyo vyaha bidasubira gukorwa mu gihugu mugukura mu kazi abakozi ba Leta bakekwa kuba bari mubabikoze




## Mukugabanya *ikimenyetso n° 3 et 5*

- Gukuraho imbonerakure mu nzego z'igihugu no kugabanya ububasha bwazo
- No kuzibuza gusubirira abacungera kandi baharanira umutekano w'igihugu

## Mukugabanya *ikimenyetso n° 2, 4, 7 et 8*

- Guhana imvugo z'urwanko aho zivugiwe hose
- Kwitwararika ko umugwi ujejwe kunywanisha no kurekurirana kw'abarundi ukorera ineza y'abanyagihugu bose, wisunze inkingi zine z'ubutungane mfatakibanza

## Mukugabanya *ikimenyetso n° 1, 3, 4 et 8*

- Kugwanya isesagura ry'ubutunzi bw'igihugu n'ubutegetsi bubi

## Mukugabanya *ikimenyetso n° 2, 3 et 8*

- Gusubira kubaka neza inzego z'ubutungane ku buryo zikora zigenga kandi zitegamiye uruhande na rumwe

Vyakozwe itariki: 17 Nyakanga 2020

N'umugwi utohoza ivy-i Burundi, https://www.ohchr.org/FR/HRBodies/HRC/CoIBurundi/Pages/CoIBurundi.aspx

# *BURUNDI*: ISESAGURWA RY' AMATUNGO RIBANGAMIYE UBUTUNZI BW' IGIHUGU

## IBITURIRE VYIMONOGOJE

Igiturire kiri mu bisata vyose vy'ubutunzi, cane cane mu kwimba ubutare n'ibikogwa vya Leta

> ***Umugwizatunga ntashobora kuronka amasoko atagize icahaye Perezida [Nkurunziza] canke umugambwe [CNDD-FDD].***

## UGUTWARA NABI NO GUSESAGURA

Intererano zitangwa n'amashirahamwe akora mu bijanye n'ugucukura ubutare mu ntumbero y'iterambere ry'abenegihugu zitigera zishika aho zigenewe

Ugukata ku mishahara igishirwa mw'ikonti z'abasirikare bari kugarukana amahoro mu makungu

Ishumbusho rigenewe abatwawe amatongo ku mpavu y' ibikorwa rusangi vy'iterambere birangurwa n'imfashanyo mpuzamakungu riza riteba kandi riri munsi y'igiciro gikwiye



## KWIGARURIRA UBUTUNZI BINYURANYWE N'AMATEGEKO

Abategetsi bakuru bakuru bari mu bikogwa vyo kugwiza ubutunzi mu bisata bajejwe gutwara

## AMASOKO YA LETA

Amasoko ya Leta atangwa mu kinyegero hatabayeho uguhiganwa gukurikiza amategeko, ivyo navyo bigatuma hagwirirana ibiturire n'ukunyuruza amatungo ya Leta vyungukira abegereye ubutegetsi

## UNUTUNZI BW'INYIBANO

Vyerekeye abakuru bo muri Leta, mu ntwaro no mu mugambwe CNDD-FDD

## UKUTARIHA AMAKORI

Ukudakurikiza amategeko ku mipaka mu bijanye n'ubutare n'urudandazwa rw'inzahabu

## *Iryo sesagurwa ry'ubutunzi riragabanura ubushobozi bwa Leta rikagira ingaruko mbi ku vyerekeye iteka rya zina muntu*

N'imiburiburi Leta ijejwe gukingira abenegihugu ku bijanye n'inzara, ntibabure ivyo bafungura, kubaronsa inyigisho ku buntu mu mashuri matomato n'ayisumbuye, kubaronsa imiti yo kwa muganga batari bwironkere no kubatuma baronka uburaro

Ukwubahiriza, bitera vyiyongera, uburenganzira bwa zina muntu mu bijanye n'ubutunzi, imibano, n'imico kama, nko kugira amagara meza, ukwiga, ugukingirwa mu vyerekeye amasanganya, hamwe no kuronswa ubuzima bubereye

Ugukingira hamwe no guteza imbere uburenganzira bujanye n'imibano n'uguserukirwa mu ntwaro nko gushiraho ubutungane bukora ukwo bibereye, ubwo nabwo akaba ari nkenerwa mu gukingira uburenganzira ntakomwakomwa, abantu bose bakeneye, bahurirako.

Ukugwizwa « kw'intererano » zitandukanye zisabwa abanegihugu, kenshi hakoreshejwe igikenye, ivyo navyo bigasongera isibe mu kubakenesha

Vyakozwe itariki: 17 Nyakanga 2020

N'umugwi utohoza ivy-i Burundi, https://www.ohchr.org/FR/HRBodies/HRC/CoIBurundi/Pages/CoIBurundi.aspx

# **BURUNDI**: IHONYAGWA RIKOMEYE RY'AGATEKA K'ABANA KUVA MU 2015

## Abarundi barenga mirongo itanu kw'ijana ntibarashikana imyaka cumi n'umunani (18)

- Abana barishwe
- Abana b'inkumi bakorewe ivya mfura mbi
- Urwaruka rurimwo abana batarashikana imyaka cumi n'umunani bahagaritswe bagafungwa bitemewe n'amategeko, bakongera bagahohoterwa bakanafatwa bunyamaswa
- Urwaruka rutashoboye kuja mw'ishure kumvo za politiki
- Urwaruka rwahatiwe kwinjira mu mugwi w'imbonerakure
- Urwaruka rugizwe n'abana badafise imyaka yo gutora bahatiwe gutora umuhari uri ku butegetsi mu matora yo mu mwaka wa 2020

> *Umunsi ukurikira itembagazwa rya Leta, kw'itariko rya 14 rusama 2015, abasoda baraje iwe barakikuza inzu […] baca barica umugore wiwe n'abana biwe batatu. Ibiziga vyatowe mu nzu vyari vyarashwe.*



> *Papa yari umunywanyi w'umugambwe MSD. […] Inyuma y'imyiyamamazo, yahisemwo gusigara i Burundi kubera atibaza ko yari mubaronderwa, ariko nawe yararonderwa. […] Mw'ijoro haraje abantu baramutwara. Abandi muri bo baca basigara inyuma bafata Mama ku nguvu bahejeje baca baramwica. Hanyuma baca baradufata ku nguvu natwe. […] Kandi baradukubise kubera twariko turakoma induru.*



**Ahanini, ivyo vyaha bikaba vyakozwe n'imbonerakure, n'abapolisi hamwe n'abakozi b'iperereza (SNR)**

**Igihe ivyo vyaha bikogwa hari igihugu carangwa n'ukudahana vyimonogoje. Kenshi na kenshi abavyeyi b'abo bana ntibubahutse kwitwara kubera gutinya umwihoro**

## INGARUKA

- Uguhunga k'ugwaruka, rimwe na rimwe bari bonyene badaherekejwe n'abavyeyi
- Ihonyangwa ry'agateka k'abana n'ugwaruka hamwe n'uburenganzira bwabo bwo kwiga, bwo kuvuzwa, bwo gufungura bikwiye no kubana n'imiryango yabo
- Abasore n'inkumi bahahamuwe n'amabi bakorewe canke babonye akoregwa abandi kuburyo bakeneye kuvugwa mu buryo bw'ihariwe

> *Ibikomere biterwa no kubona canke kugirirwa ivyaha bikomeye umuntu akiri muto kenshi na kenshi ntibizimangana, biragira ingaruka mbi k'ubwonko kuburyo umwana ashobora no kugwara indwara zo ku mubiri canke zo mu mutwe. Hari n'igihe izo ndwara zitera ubumuga canke urupfu rw'ababikorewe.*

Vyakozwe itariki: 17 Nyakanga 2020

N'umugwi utohoza ivy-i Burundi, https://www.ohchr.org/FR/HRBodies/HRC/CoIBurundi/Pages/CoIBurundi.aspx

# ***BURUNDI*: IMPAMVU AMAKUNGU AKWIYE KUGUMIZA IRIKANUYE KU BURUNDI**

## *Amakenga aracari menshi. Intwaro rusangi yarunyutse bikomeye.*


Ibimenyetso vy-ubuhungabane biracariho nka vyose. Imvo zavyo ntiziratorerwa umuti

Umugwi w'urwaruka w'umugambwe uri ku butegetsi, Imbonerakure, ubandanya gukoreshwa nk'abajejwe umutekano, ku buryo bwiharije mu ma zone atari ayo mu bisagara, ibikogwa vyabo ntibisuzumwa na gato

Abatavuga rumwe n'ubutegetsi hamwe n'abo mu mashirahamwe ajejwe guharanira agateka ka zina muntu aracadurumbanywa kandi abandanya guhungabanywa n'abategetsi bo mu nzego zijejwe umutekano n'ubutungane. Benshi muri bo barahagaritswe batabwa mu mvuto, abandi barata baromoka, ubu bari mu buhungiro

Uguhungabanya umutekano mu mezi aheze hamwe n'ukutumvikana bikomeye mu karere biracari nkuko vyari

***Nta na kimwe cerekana ko ihonyangwa ry-agateka ka zina muntu ryoba ryaragabanutse kuri iyi ntwaro nshasha***



## *Ukudahana busasiwe indava*

Abantu bahawe ibihano kubera uruhara rwabo mu ngorane yo mu 2015 hamwe n'indongozi z'inzego zikora amarorerwa mu guhohotera bikomeye cane agateka ka zina muntu barahawe ivyicaro n'amabanga muri Leta nshasha

Izo nzego ntizihanikirije ku mugaragaro uburyo bwakoreshwa mw'ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu

Inzego z'igihugu zotegerejwe kuba nk'inkinzo mu kugwanya ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu ntizibishobora canke ntizishaka kubikora ; nk'urwego rw'Ubutungane, inama nshingamateka na nkenguzamateka, umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu, urwego rwa Ombusdman, n'izindi

## *Inyigisho nkomoko z'indyane zibandanya zikoreshwa iyo zifasha ubutegetsi*

Nk'uko vyakozwe mu matora yo mu 2020 mu majambo yakoreshejwe ku mugaragaro canke hagati y'abantu bake, mu nyigisho za kahise, mu bikorwa vy'inzego z'igihugu nk'umurwi w'igihugu ujejwe ukuri n' ukunywanisha abarundi

Amajambo abiba urwanko yavugwa k'umugaragaro yerekeye abatari muri uwo mugwi bene gukwiragiza ayo majambo y'inzankano bakomokamwo

## *Uburenganzira mu vy'ubutunzi n'imibano bubangamiwe, gukorera ahabona mu bijanye n'ubutunzi bidashimishije be n'ibiturire vyakwiye hose*

Ibice 74 kw'ijana vy'abenegihugu bugarijwe n'ubukene, abarenga igice bafungura nabi ku buryo burengeje, hama Leta ntishoboye kwubahiriza ubwigenge bujanye n'ubutunzi hamwe n'uburenganzira ntakomwakomwa

Igice c'imfashanyo y'iterambere/no kugarukira ku mbabare hamwe n'amasezerano y'ibijanye na Leta co kimwe n'abikorera ivyabo yama ariko aranyuruzwa

Ugukurikirana kw'abantu bamwe bamwe mu baronswa imfashanyo mpuzamakungu ntibikunda, nk'akarorero impunzi igihe zihunguka

## *Hari akariro gake ko guhindura ibintu*

Umugambwe uri ku butegetsi wariharije ibijanye n'intwaro vyose inyuma y'amatora yo mu 2020, ku buryo bitari bwabeho na rimwe

Mu gihe ingingo ruhasha zerekeye kurwanya igiturire zidafashwe, ugucukura ubutare (nk'akarorero ubutare bwa terres rares, inzahabu) hamwe n'uko ata mahiganwa aba ku rwego rw'igihugu bihimiriza ukuntu intwaro ibigumamwo itarabivamw

Naho hari isekeza ryo gutahukana impunzi z'abarundi ririko riraba, kenshi ata genzurwa mpuzamakungu rikozwe kugira harabwe ko abahungutse baje ku bushake bwabo nuko ibikenewe vyose kugira batahukanwe bikwiye, nta na kimwe gikorwa mu kubaganiriza kugira hamenyekane igituma bari barahunze n'icokorwa kugira bitorerwe inyishu

Ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu ku buryo burengeye vyakozwe kuva mu mwaka w'i 2015 vyasize imigambwe itavuga rumwe n'iyiri ku butegetsi ata bushobozi ifise, n'abaharanira agateka ka zina muntu, n'abenegihugu ntaco bashoboye kugira basabe ihinduk

Umugwi mpuzamakungu wigenga ukurikirane ibijanye n'agateka ka zina muntu urakenewe cane rwose

Vyakozwe itariki: 17 Nyakanga 2020

N'umugwi utohoza ivy-i Burundi, https://www.ohchr.org/FR/HRBodies/HRC/CoIBurundi/Pages/CoIBurundi.aspx